# SI HINDURA ABIGISHWA BAGWIZA

V1.1

STRATEGIC IMPACT INTERNATIONAL

P.O. Box 1901 · Denton, TX 76202
www.StrategicImpactInternational.com
© Permission to copy with attribution

# 5 INTAMBUKO

1. **BAZA**: Amakuru yabu urondere kumenya ivyabaye mu buzima bwabo kuva aho muherukanira guhurira hamwe.

2. **KUREMESHA**: Tanguzanya umwanya wanyu mu kwishura ibibazo vyo kuremeshanya no gutanga raporo:
   A. *Warafashe umwanya wo kwihererana n' Imana mu gusenga no gusoma ijambo ry' Imana buri munsi kuva aho duherukanira?*
   B. *Waragendeye mu rukundo mu bucuti bwawe n' abandi, mu muryango wawe, mu bagenzi, mu babanyi, no mw' ishengero?*
   C. *Woba warihaye ingeso zigukwega?*
   D. *Warahejeje ivyo wiyemeje muri Cigwa ca Bibiliya cacu aho duherukanira? Gute?*

3. **UGUHARIRA**: Soma hanyuma muharire ku gisomwa ca Bibiliya cashizwe ku cigwa muriko muraraba mukoresheje ibibazo 6 bikurikira:

4. **TEGURA**: Tegura ikigabane c' ivyanditswe uzohora ubisoma kumara iyi ndwi. (Ibice 3 ku munsi ni vyo usabwe).

5. **SENGA**: Heraheza umwanya wawe mu gusengera hamwe musengeranira no n' ivyo mwiyemeje ku kibazo ca 5 n'ica 6.

# 6 BIKURIKIRA

**Soma** igisomwa n' ijwi ryumvikana.

Ni **mubiharireko** mwongere **muhane hane** ivyiyumviro ku bibazo bikurikira:

1. *Ni ibiki wakunze muri iki gisomwa?*
2. *Ni ibiki utakunze canke wabonye bidasobanutse?*

**Subira usome imirongo n'ijwi rirenga**

Hanahane ivyiyumviro (vugane) ku bibazo bibiri bikurikira:

3. *Ni ibiki wigiye ku bantu bari muri iki gisomwa?*
4. *Ni ibiki wize ku Mana?*

**Subira usome imirongo n'ijwi rirenga**

Hanahane ivyiyumviro (vugane) ku bibazo bibiri bikurikira:

5. *Wisunze iyi mirongo ubuzima bwawe buzoba ubutandukanye gute muri iyi ndwi. (Raba Neza: Andika inyishu hanyuma ugende ubikurikiza ubutaha.)*
6. *Ni nde uzobwira ivya Yesu muri iyi ndwi canke ni nde uzohindura umwigishwa ukoresheje ibi bikoresho? (Raba Neza: Vuga izina ry'umuntu hanyuma uvuge igituma n'igihe uzobimubwira. Vyandike hanyuma.)*

# INGENDO NSHIMIKIRO

**Ukugendera 1:** Yesu ni ndi?
*Yohana 11:17-27*

**Ukugendera 2:** Ugutahura urukundo rw'Imana.
*Yohana 3:16-18*

**Ukugendera 3:** Umenye neza ko wakijijwe.
*Yohana 10:27-30*

**Ukugendera 4:** Guma muri Yesu.
*Yohana 15:1-11*

## INGENDO Z'UGUKUZA

**Ukugendera 5:** Ugusenga.
*Matayo 6:5-15*

**Ukugendera 6:** Atura ivyaha cawe.
*1 Yohana 1:5 - 2:2*

**Ukugendera 7:** Ugushinga intahe kwawe: Bwira abndi uko Yesu yaguhinduye.
*Ivyak. 26*

A. Koresha ibi bintu 3 mu kubafasha kwiyumvira ku ntahe zabo ubwabo:
   1. *Uko ubuzima bwanje bwari bumeze imbere yuko nizera Yesus.*
   2. *Uko nahuye na Yesu.*
   3. *Ikintu gitandukanye Yesu yakoze mu bugingo bwanje kuva aho ndamwizereye.*

B. Babwire nabo basangize intahe zabo n' uwundi muntu mu munota 1 imbere y'uko uzogaruka kubagendera.

**Ukugendera 8:** Ugushingira intahe: Bwira abandi ivya Yesu.
*Ivyak. 1:1-11*
*2 Korinto 5:16-21*

A. Bigishe uko bakoresha igikoresho c' ivugabutumwa SI.
B. Jana nabo kubwira uwundi muntu ivya Yesu ukoresheje Ico gikoresho.
C. Raba neza: *Iyo bazanye umuntu kuri Yesu bafashe kwiga uko bokoresha iki gitabu kibarongora gutangura guhindura umwigishwa uwo mukristo mushasha.*

**Ukugendera 9:** Fatanya n' abandi bizera bo mw' ishengero.
*Ivyak. 2:40-47*
*Abaheburayo 10:19-25*

A. Tumira umwigishwa wawe kuza mu mugwi muto w' ishengero.
B. Fasha umwigishwa wawe kwiyemeza kuba umunyeshengero

**Ukugendera 10:** Batizwa.
*Ivyak. 8:26-38*
*Matayo 28:19*
*Ivyak. 2:40-41*

A. Tumirira umushasha mu kwizera kubatizwa.
B. Mubwire atumire umuryango wiwe n' abagenzi ngo bashingire intahe ko abatijwe *(Na cane cane barya bataramenya Kristo).*

**Ukugendera 11:** Imeza y' Umwami.
*Luka 22:14-20*

A. Tumira umukristo mushasha kuza gusangira namwe.

**Ukugendera 12:** Ukwumvira.
*Yohana 14:15-21*

A. Babaze ico bumva Imana iriko ibasaba kwumvira.

---

**Ukugendera 13:** Umwanya wo kwishikana, soma kandi wige Bibiliya, *Zamburi 1*
*Luka 5:15-16*

A. Bwira abakristo bashasha bashireho umwanya buri munsi wo gusoma Bibiliya no gusenga.

**Ukugendera 14:** Harira abandi.
*Matayo 18:21-35*

A. Babaze uwo bagomba guharira.

**Ukugendera 15:** Mwicishe bugufi ku bumana bwa Kristo; Ukwicisha bugufi k' Umwami Imana.
*Abaroma 14:5-12*

**Ukugendera 16:** IIntumbero y' Imana ku buzima bwawe.
*Matayo 28:18-20*
*2 Corinthians 5:17-21*

**Ukugendera 17:** Ubutumwa bwiza n' iki?
*1 Korinto 15:1-8*

**Ukugendera 18:** Umubano n' umuryango.
*Abanyefeso 5:22 - 6:4*

**Ukugendera 19:** Ugendere muri Mpwemu.
*Ab'igalatiyah 5:16-26*

**Ukugendera 20:** Ico turi muri Kristo.
*Abaroma 6*

**Ukugendera 21:** Ugushira imbere urukundo.
*1 Yohana 4:7-21*

**Ukugendera 22:** Ububasha bw'ijambo ry' Imana.
*2 Timoteyo 3:14-17*

**Ukugendera 23:** Ukwitaho ubuzimu.
*Luka 19:10-27*

**Visit 24:** Intambara yo mu buryo bw' Impwemu.
*Abanyefeso 6:10-18*